**Bible lessons.** **Lesson 12** **GOODBYE TO PARADISE**
**Genesis 3:1-24**
**Memory verse: "For as in Adam all die, so also in Christ all will be made alive" I Corint. 15:22**

**NAGASAGA PARADIZO**

Icirwa ca 15

Itang. 3:1-24

Umurongo ngenderwako :"***Nk'uko Adamu yandukije bose gupfa ; niko muri Kristo bose bazohinduka bazima"*** **(I Korint. 15:22).**

## I. Umugambi wa satani

Satani akibona umuntu aremwe, yamugiriye umugambi wo kumuhindura akabarore imbere y'Imana nyene kumurema. Ibi yabikoza kugira agire ubutwari bwose mw'isi bwo kwigira nk'Imana. Nta bwoba bwari busanzwe hagati y'umuntu n'ibikoko ; ivyo bituma Satani aca mu nzoka kugira ahendahende uwo mugore. Satani yaje yigize umumarayika w'umuco nkuko akibigenza na bugingo n'ubu.

Pawulo aragabisha abakristo. **Efes. 6 :11** << ***mwambare ibirwanishwa vyose vy'Imana, kugira mushobore guhagarara mudatsinzwe n'ubugunge bwa Satani***>> Imana yari yashize Adamu na Eva mw'itogo ryiza rya Edeni, aha, yohoranye imigenderanire n'Imana. Uyu mugambi wababaje Satani cane bituma afata ingingo yo gukuraho uyu mubano w'ukuri hagati y'Imana n'umuntu.

## II. Imbuto yo gukekeranya

Uburyarya bwa Satani yakoresheje ijambo ati <<*Mbega nivyo ukuri koko yuko Imana yavuze…*>> inyishu y'uyu mugore yerekana ko yari asanzwe azi ico Imana yihanikirije. Satani ntiyaretse Eva ngo anibuke ubucuti bwabo n'Imana, afatira ku nyishu atanze, aca amuteramwo umutima wo gukekeranya ati :<< haba namba ntimuzopfa>> aramujaniranya no kumuteramwo ugukekeranya ati :<< ahubwo muzoca muba abanyabwenge, muzoba nk'Imana>> abemeza ivyiza bazoba igihe bumviye inyigisho ziwe.

Birababaje « Imana iti ; ni mwaryako muzopfa, Satani ati : haba namba ntimuzopfa niyo mwarya ko, ahubwo muzorwiza ubwenge mu kumenya ikibi n'iciza »

## III. Inzira za Satani

Kuva kera cane ikirwanisho Satani akoresha kugira yigarurire abantu ni « gutera ugukekeranya mu bantu » agerageza kwerakana ko ivyo bibiliya ivuga atari ukuri kwose. Akabereka ko badakwiye kuvyizera vyose. Umurwanizi arekera abanyamashengero imigenzo yo mubiboneka : imyambaro idasanzwe, ukuvyina gusa mu makoraniro,… ariko akabatera impwemu yo gukekeranya ivyo bigishwa bishikana ku kugororoka.

## IV. Ibiboneka vyipfujwe

Satani yemeje Eva ko niyo barya ico camwa bazomera nk'Imana mu kumenya ivyiza n'ibibi. Biraboneka ko we yari azi neza igikurikira nyuma yo kumwumvira.

Umuntu azoba uwupfa, abazomukomokaka bose bazoba abanyavyaha, kononekara kw'imigenderanire y'umuntu n'Imana… amaso yabo yarugurutse koko none babonye iki ? ubwambure bwabo. Mbega barahindutse abanyabwenge nkuko bavyemerewe na Satani ?

Uku niko Satani yabigenjeje akiri mw'ijuru aho yabesha abamarayika ngo niyo bamwemerera bakagumuka ku Mana ; azobagira abahambaye. Ibi vyarangiye bakuwe mw'ijuru ahantu heza bakororerwa hasi ikuzimu, mu bihomoka, mu myonga,… na n'ubu ahendesha ivy'isi, bigatuma arivyo bahoza k'umutima akabibagiza umunezero wasezeraniwe abagororotsi. wiyubare

## V. Guhindiranirako amakosa

Adamu ati : Umugore wampaye niwe yampaye ndarya, umugore ati : inzoka yampenze ndarya, ukwagirizanya. Imana ihidukira inzoka irayivuma.

Iyi myifato ninayo kugera uyu musi yononye ingo nyinshi, nta wemera ikosa imbere y'uwundi ngo aheze yihane. Umwe wese ni ukwagiriza mugenziwe yemeza ko ariwe akwiye kwihana nayo we ari uwera. Birababaje

"Menya ko icaha cawe kizoguhama" **Guhar.:32:23**.<<***Ariko ni utakora mutryo ;muzoba mucumuye k'Uhoraho ;kandi mumenye neza yuko icaha canyu kizobahama***>> iyo ukora icaha urashobora kubesha hagahanwa uwundi, ariko Imana yo izi ukuri.

**VI. Inkurikizi zihambaye**

Ingaruka ya mbere kuri Adamu na Eva n'abamukomotseko ni uko babaye abapfa. **Itang. 5:5** <<***Imisi yose Adamu yamaze yabaye imyaka amajana icenda na mirongo itatu ; araheza arapfa***.>> bituma umuntu wese aba uwuvukana kamere y'ivyaha Psalms:51:5 <<***Raba, nabumbamywe ukugabitanya, mu vyaha niho mama yamvyariye***.>> . Amakuba yakwezwe nico caha yabaye menshi : Gutakaza ivyizere n'Imana, ingwara ku bantu, intambara mw'isi, umuryano mu ngo zabubatse,… ubwo nyene Edeni ayikurwamwo ihabwa kurindwa n'abakerubi bafise inkota yaka umuriro. Nico gituma ata muhinga n'umwe yoshobora kuherekana neze neza.

**VII. Umuco w'ubugingo**

Itang. 3:15 <<***Nzoshira urwanko hagati yawe n'uwu mugore, no hagati y'uruvyaro rwawe n'urwiwe ; ruzokumena umutwe, nawe uzorukomeretsa igitsintsiri***.>> uruhigi rw'umuntu na Satani rwari rushizweho kandi vyarakunda kuko yamaze kuba umunyavyaha. Aha niho Ijuru ryatanguye gushiraho umugambi wo gucungura umwana w'umuntu biciye kuri Yesu 1 Yoh 3:1

**VIII. Gushira mu ngiro**

Ubu isi yose iri munsi y'umuvumo kubera icaha c'umuntu wa mbere, ariko kandi urashobora kuba umunyamugisha igihe cose wemeye kwakira no kumvira Yesu yabambiwe abantu. Imana yari yateguriye umuntu kuzoba hano kw'isi n'imigenderanire myiza nayo, umurwanizi arabisambagura ariko.

Naho Adamu yanduje abari n'umubiri bose urupfu, Yesu umwana w'Imana nzima yaragarukanye ubuzima n'ubumwe hagati y'umuntu n'Imana kuwuvyipfuza. Ibi vyaciye m'urupfu k'umusaraba. Ni ahawe kumva ko wonezererwa no kuzoba muri Paradizo nsahsha yateguwe n'Imana mw'ijuru. Niba wumva ubumwe bwawe hagati n'Imana bwarasambutse canke butuzuye, wohaguruka ugasenga ubu nyene.